VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

Amavuriro ya Vermont y'urucanco rwa Johnson & Johnson rugira rusubire gutangura
Hisunzwe ubushakashatsi bwa CDC, impungenge zuko habaho ivurirana ry'amaraso ni nkeya cane.

BURLINGTON, VT - Igisata c'Amagara y'Abantu ca Vermont caratangaje yuko kizobandanya gukoresha incanco za Johnson & Johnson. Iyi ngingo yafashwe inyuma y'itangazwa na FDA n'ibigo bishinzwe kugenzura no gukinga indwara yuko inama mpanuzwajambo yayo yasanze urucanco ata kibazo rutera kandi rukoreshwa neza, kandi ko ihagarikwa ryashyizweho kuva kw'igenerekezo rya 13 Ndamukiza rishobora kuvaho.

Komiseri ajejewe ivy'amagara y'abantu, Mark Levine, MD, yavuze ati: "Turanezerewe no kubona runo rucanco rusubiriye kuboneka kugira ngo rukingire abantu baba i Vermont umugera wa COVID-19". "Ndahimiriza abantu bose bakwije ibisabwa kwicandagisha vuba bishoboka n'urucanco urwo ari rwo rwose ruhari kandi rukubereye."

Abantu baba i Vermont bafise imyaka 18 n'iyirenga barashobora kwiyandikisha kuva ubu ku mavuriro atanga urucanco rutangwa rimwe rwa Johnson & Johnson. **Ushaka kwiyandikisha kugira ngo uronke umubonano, raba kuri healthvermont.gov/MyVaccine. Nimba ushaka ico bagufasha, hamagara kuri 855-722-7878 maze ufyonde kuri 1 kugirango uronke umusobanuzi w'indimi.** Abantu baba i Vermont bafise imyaka 16 na 17 bashobora kuronka urucanco rwa Pfizer rwonyene.

Dr Levine yavuze ati: "Naho guhungabana vyari biteye ubwoba, turarajwe ishinga cane no kuraba nimba urucanco ata kibazo rutera". "Dufatiye ku vyerekeye amagara y'abanyagihugu, ibikorwa vyakozwe mu guhagarika no kwiga vyari bikwiye rwose - ubu ni ubuhinga buri ku kazi. Dufise inshingano zo kuraba nimba abantu bagirira icizere bino, ndetse n'incanco zose. "

Vermont yifatanije n'ayandi ma Leta menshi mu guhagarika ikoreshwa ry'urucanco bisabwe na CDC, kugirango hatangwe inyinshu ku gitigiri gitoya c'amakuru avuga yuko amaraso y'abantu bacandazwe aca avurirana. Abajejejwe amagara y'abantu muri Leta zunze ubumwe za Amerika batangaje akaruhuko kugirango bahe inama mpanuzwajambi ya CDC ku bijyanye no gukinga indwara umwanya wo gusuzuma ayandi makuru yerekeye ingaruka z'indwara zavuzwe.

Dr Levine yavuze yuko muri ico kiruhuko abajejwe kuvura abantu ba Vermont baronse amakuru n'impanuro ku bimenyetso bishobora gushika vy'amaraso avurirana hamwe rero n'ubuvuzi bikwiranye. Impanuro za buri igihe zizoguma zitangwa

Hafi imiliyoni 8 z'urucanco rwa Johnson & Johnson zaratanzwe muri Amerika. Ivyegeranyo vyatumye habaho akaruhuko k'imfatakibanza harimwo ubwoko butemenyerewe kandi bukaze bw'amaraso yo mu bwonko avurirana (CVST). Ingorane zibonekeje kugeza ku ndwi ya 2 inyuma yo gucandagwa. Muri Vermont yose, nta bintu vyigeze vyibonekeza kuri izi ngaruka zifatiye ku ndwara.

Naho ingaruka zifatiye ku ndwara ziteye ubwoba cane ari nke rwose, FDA na CDC barasaba ko abantu bameneka umutwe cane, bababara mu nda, bababara mu maguru canke bafise ingorane zo guhema neza mu kiringo c'indwi zitatu kuva baronse urucanco rwa Johnson & Johnson bategerezwa guca bahamagara n'ingoga umuntu ajejwe kubavura.